KU MATORA Y'ABASHINGAMATEKA N'ABAKENGUZAMATEKA IKIBIRI GIHAGAZE HE?

INTANGAMARARA

Nk'uko mwese mumaze iminsi muvyumva ku maradiyo no mu binyamakuru bitandukanye, Uburundi bugeze mu bihe bigoye cane. Mu minsi mwahora mwumva amagerenade aturagurika mu gihugu cose, none ubu naho nta munsi wijana atawufashwe ngo yateye gerenade canke ngo bayimufatanye, canke ngo twabonye ko yiyumviriye kuzohava ayitera n'aho atayo twamufatanye.
Abarundi benshi batazi ico bazira bahereye mu mvuto abandi nabo biririwa baricwa n'uwobakijije ari we mutware ariko arabatwara abacuritse. Benshi bariko barahunga ngo ngaho ingwano yateye.
Eka muri ino minsi ntawugitora agatiro, twasubiye muri ya myaka twahorana intekera ku mutwe. Uwutavuga rumwe na Reta yaca yitwa inyankaburundi, ubwiwe bukaba buraheze. Eka n'ubu ni ko kw'uko, ntaho twavuye ntaho twagiye.
Ariko turazi ko Imana ikunda Uburundi n'Abarundi, abashingantahe babushitse na bo barahari, turizera ko igihugu kitazosubira kugwa mu nyenga. ADC-IKIBIRI ifatanije n'Abarundi bose, izokigarukira!

Abarundi bati « Nta mwami yima induru zivuga »! Ng'uyo Petero Nkurunziza aheruka mu matora atamba yirorera, Indongozi z'Ikibiri zisemerera. Ntatevye asimbiye kw'isunzu ry'inzu ngo « Bakamvya impanga canke batwenga imbere harabona! ». Habona gute n'aka gacinyizo kagarutse mu gihugu ko ari umwiza uturindiriye? Arongera ati mbere « Abatoba amatora bahaye akazi abacungera umutekano, ngo kuko abajejwe umutekano bajejwe kugwanya abansi b'inkozi z'ikibi »! Eka nta kandi kazi yahaye igiporisi ciwe atari ukugwanya abagomba ko Uburundi buva mu kaga, ari na bo banka inkozi z'ikibi. Ariko abacungera umutekano bose ntibatugwanya nk'uko Umukuru w'Igihugu yabibategetse, harimwo benshi bazi ko turiko turarondera ineza y'igihugu kandi badushigikiye, tukaba mbere tubashimiye bimwe bivuye ku mutima. Aya matora yimirije nayo nyene batwankiye ko tuyajamwo kuko banse ko tuvugana ingene yotegurwa neza ngo ntibasubire kuyasahura. Noneho ngo « Ntawuharira n'uwumuhamba ». Ko batwankiye rero twayabahebeye, eka mbere bari baravuze ko bagomba kugitwara

bonyene. Ariko uko gukoresha igikenye bamenye ko na Uprona yari yarigeze kugikoresha bikanka, intahe n'ijambo bigatsinda ingimba, na none ngo « Uwukoresha inkota arayitsindisha mugabo ntayicarako! »

GUSHIMIRA ABO BOSE BAGOMBA KO IGIHUGU COGORORA

Imigambwe ihurikiye mu runani ADC-IKIBIRI yarashimishijwe n'umugambi wafashwe n'amashirahamwe adaharanira inyungu za poritike wo gutanguza ibiganiro hagati y'imigambwe yanse ivyavuye mu matora na Reta iri kumwe n'umurwi CENI. Turabasavye ntibadebukirwe kuri uyo mugambi wo kugarukira demokarasi n'intahe mu Burundi. Mukaba muzi ko kuri abo bari ku butegetsi muri iki gihe ngo kizira kubita abashingantahe, ari ko karanga karanga Uburundi twarazwe na ba sokuru !

Ayo mashirahamwe yagize ako kigoro kadasanzwe ni aya akurikira: Ishirahamwe IC (Initiative et Changement rikorera mu gihugu c'Ubuswise), Ishirahamwe rikurikirana ivyerekeye amatora COSOME n'Urwego rw'Abashingantahe. Ntitworeka gushimira n'uwahora ari umukuru w'igihugu, umushingantahe Ntibantunganya yari yaje gufasha ayo mashirahamwe ngo ahuze imigambwe ihurikiye muri ADC-IKIBIRI na wa murwi CENI, imbere y'uko Umukuru w'igihugu na Reta vyiyongerako.

AHO VYAPFIRIYE

Kw'igenekerezo rya 06 Mukakaro 2010, IKIBIRI caratumiwe mu nama ijanye no gutanguza ibiganiro vyo kuraba ingene amatora yagenze, n'ingene ayakwirikira azogenda. Abayitumyeko ni abo duhejeje kudondagura. Ariko imbere yuko iyo nama iba, imigambwe ihurikiye muri ADC-Ikibiri yari yandikiye Umukuru w'Igihugu imubwira iti : «Twebwe turabona ko aya matora yaranzwe n'ubusuma bukabije ataco azodushikanako atari ukuryanisha Abarundi, nyabuna turonderere aho tuvugira kugira dutegure amatora meza, amatora yotuma hagaruka demokarasi nyakuri mu gihugu, amatora azonywanisha Abarundi atari ayo kuducanishamwo». Duca tumusaba dushimitse ko yogerageza uko ashobora akaza we nyene na Reta yiwe atibagiye wa murwi watunganya amatora nabi ari wo CENI, tukumvikana ingene aya matora yogenda. Tuba turirya icara tuti Umukuru w'igihugu ni Sebarundi ntazokwumviriza abo mu mugambwe wiwe gusa, natwe azoza kudutega amatwi. Emwe ! Turi bubone, ntitwihenze ngo dusigaze !

Igihe baduhamagara ngo tuje mu nama, twagira tuti noneho ko barinze

badutumako, Umukuru w'Igihugu yahavuye yiheba aratwumva kuko twari tumaze kumwandikira kenshi atishura.

Emwe, Abarundi bati « Iyakamanye irakabaganwa !» Tuganiriye umwanya muto twaciye twumva ko Petero Nkurunziza ata kajambo yabatekereye ! Mbere no kumenya ko badutumyeko nta n'ivyo yari azi ! Bari baje kutwumviriza gusa kugira ngo twagirizanye na CENI kubijanye n'ubusuma bwaranze amatora aherutse. Imbere yuko tugira ico tuvuganye, ica mbere twababajije kwari ukumenya ko bari bwabone umunyororo aganira n'uwumuboha ! Tuti rero ico dusaba kugira ngo tuganire neza, ni muturekure kuko nta mutegetsi arongoye umugambwe uri mu KIBIRI arekuriwe kurenga imipaka y'Uburundi. Ingo z'Indongozi z'IKIBIRI zama zikikujwe n'abaporisi kandi IKIBIRI ntikirekuriwe kugira inama. Tuti rero ivyo vyose mubidukureko, mutubohore twebwe nyene, muce muturekurira abanywanyi bose mwapfungiye ubusa, mwongere mwigizeyo aya matora kugira ngo tuyategure neza.

DUSHIMIYE UWO WESE ATITAVYE AMATORA YA NKURUNZIZA. N'AYAKURIKIRA NTIMUZE MUYITABE!

Baratwumvirije, bati mweho ntimuje bwo ! Bati muraza mu matora canke mureke ; bati mbere n'umunsi wa nyuma wo gutanga amadosiye y'abazokwitoza ni hirya y'ejo itariki icenda z'uku. Mbere baciye basimbira ku maradiyo ubwo nyene bati imyiyamamazo y'abashingamateka izotangura ejo (kw'itariki indwi Mukakaro), bati uwushaka azoza uwudashaka areke. Murumva rero ko kwari ukudushinyaguriza no kutwifatira mu gahanga, ariko batashaka ko tuganira ngo dushire hamwe ku neza y'igihugu n'Abarundi bose.

Bukeye bwaho, abo twari twatumye kwa Perezida Nkurunziza tuba turabonanye bati twabonanye n'icegera ciwe, bati ariko abatwara iki gihugu bavuze ko amatora adahagarara n'umunota umwe ngo ni ukubera ibiganiro hagati ya Reta, CENI n'Ikibiri ! Bati baraza mu matora canke bareke !

Ako kagagazo rero katumye tuvuga tuti aho twasabiye Umukuru

Banyagihugu,
NTIHAGIRE UWUZOKWITABA AYA MATORA!

w'igihugu na Reta yiwe hamwe n'umurwi CENI ngo twumvikane ingene twosubiramwo ibijanye n'amatora bakavyanka, ntikwari ukubera bidashoboka, kwari ukubera akagaye ! Nico gituma mu vyo twasavye vyose ata na kimwe kiraronka inyishu, nk'uko umengo imigambwe iri mu KIBIRI ntigizwe n'Abarundi bameze nk'abandi, ngirango yoba igizwe n'ibikoko da ! Ni co gituma abatwara bagarukanye ya majambo intwaro twiyamirije zahora zikoresha mu kumara bene Burundi, nk'ukwita umuntu ariko aragwanira igihugu ciwe ngo ni INYANKABURUNDI. Co kimwe n'intwaro zahitiye, ntibazi gutandukanya Inyanka-Reta n'inyankaburundi, kuko uwanka Reta aba yanka abatwara nabi, ntaco asa asana n'uwutera igihugu afise intumbero yo kumara abari muri co bose. Intwaro ya CNDD-FDD rero yataye umutwe, ntikimenya ivyo ivuga n'ivyo ireka !

AHO ADC-IKIBIRI IHAGAZE

1. ADC-IKIBIRI iraneguye yivuye inyuma inyifato y'Umukuru w'Igihugu, Reta yiwe n'umurwi CENI bagomba guhatira Abarundi mu matora akumira abandi banyeporitike, akongera agatera icuka kibi muri benegihugu.

2. ADC-IKIBIRI iriyamirije kandi iyo nyifato y'abarongoye igihugu hamwe n'umurwi CENI yo kwigira ba sindabibazwa. Aho bogize uko bashobora kwose ngo bagarukane icizere mu Barundi, kugira ngo habe amatora atarangwa n'ubusuma, maze abanyeporitike bayage bumvikana kugira ngo habe amatora atagira akanenge ; ngabo bihaye kwifatira mu gahanga abandi bogiye muri ayo matora ngo ntaco bamaze, mbere bakanabakumira, abanywanyi babo bagatotezwa mbere bakabahereza mu gasho.

3. ADC-IKIBIRI yongeye gusaba ko hoboneka umuti w'aya matati bidaciye mu migere, ikaba imenyesheje Abarundi n'amakungu ko inkwirikizi mbi zose zizova muri aya matora yaranzwe no gukumirana, ukugura amajwi n'ubundi busuma injojo, itotezwa ry'abatavuga rumwe na Reta n'ayandi mabi yose; bizobazwa Umukuru w'Igihugu, Reta yiwe n'umugwi CENI.

AKAMO DUTEYE ABARUNDI BOSE, ABANYWANYI B'IMIGAMBWE IHURIKIYE MU KIBIRI, ABATWARA UBURUNDI N'AMAKUNGU

1. Twihweje ako kagagazo ka Nkurunziza na Reta arongoye hamwe n'umurwi CENI, tukaraba inyenga Uburundi buriko burajamwo kubera uko kutumviriza abashaka ineza y'igihugu ; tukabona ubwoba buri mu banyagihugu benshi kubera ugutotezwa kwa minsi yose ; Indongozi z'imigambwe ihurikiye mu KIBIRI ADC, zirateye akamo abanywanyi n'Abarundi bose kutitaba amatora y'abashingamateka n'ayo abakenguzamateka azoba ku magenekerezo ya 23 na 28 Mukakaro 2010.

2. ADC-IKIBIRI irongeye gusaba abanywanyi bayo n'Abarundi bose kuguma batekanye, bafatane mu nda, bime amatwi ababashinyaguriza, n'ababatera ubwoba canecane muri iki gihe, yaba Umukuru w'Igihugu, yaba Reta arongoye canke wa murwi CENI bagomba kudusubiza mu ntwaro y'umugambwe umwe, intwaro irangwa n'agacinyizo kavanze ubunyonyezi.

3. ADC-IKIBIRI irasavye ishimitse ko Umukuru w'Igihugu na Reta arongoye borekura mu maguru masha abanywanyi bayo bose bapfungiwe ubusa, bakongera kandi bakareka indongozi zayo zigasubira kwidegemvya ata gukebaguzwa, nk'uko n'Ibwirizwa Shingiro ribibarekurira na canecane mu ngingo zaryo za 13,14,22,23, 31 na 33.

4. Turongeye kandi gusaba ko Umukuru w'Igihugu, Reta yiwe na CENI bokwisubirako, bakagarura umutima wo gukunda igihugu, bagahagarika aya matora azohava asubiza igihugu mu kaga, bakitaba ibiganiro kugira ngo tuje mu matora adakumira, Abarundi baheze basubize umutima mu nda. Bafatire akarorero ku bindi bihugu nka Ghana, kuko na ba sokuru barayamaze bati « Imbwa yarihuse, ivyara ibihumye » !

5. Imigambwe ihurikiye mu runani ADC-IKIBIRI isavye amakungu guharira ivomo inzego zose zizova muri aya matora yo mu 2010 yaranzwe n'ubusuma n'ihonyangwa ry'amategeko agenga Republika y'Uburundi.

Bigiriwe i Bujumbura kuwa 09 mukakaro 2010
Kubwo Urunani ADC-IKIBIRI,
Umuvugizi warwo,
Umushingamateka Leonardo NYANGOMA.

Uwushaka kutwunganira, aratwandikira kuri :
acd.ikibiri@yahoo.fr

Banyagihugu,
NTIHAGIRE UWIZOKWITABA AYA MATORA!

IJWI RY'IKIBIRI
2

KUMWE MUTITABA AMATORA AHERUKA NAHO BAHINDAGUYE IBIHARURO, NO MU YAKURIKIRA MURIGUMIRA IMUHIRA!

ADC-IKIBIRI
Urunani rw'Abaharanira Demokarasi n'Ihinduka mu Burundi